1

1. Imana Mushoboravyose nininahazwe, yo yama yitorera ikongera igashoboza abayunganira mu gutunganiriza amahanga. Yaradutoranije idushira imbere y'Abarundi, iduha ubutumwa bwo gutunganiriza Abarundi n'abandi bose baba mu Burundi, ngo baroranirwe, batunge, batunganirwe, bishire, bizane, bagire iteka n'itekane.

2. Imbere yo kubandanya, nkundira tumare umwanya twibuka Imboneza yacu, Nyenicubahiro Nkurunziza Petero, dukesha intambwe tugezeko uyu musi.

3. Kuri uyu musi uri hejuru, ejo na hirya y'ejo, abagize Reta y'Uburundi tuzoba tubarizwa ngaha mu Ntara nziza ya Ngozi. Tugiye kumara imisi itatu mu katabesha, tuzirikana iyo tuja n'ingene twohashika tutaziguye kandi tutazimagiritse.

4. Ntituje gufata akaruhuko canke kwidagadura, tuje nyabuna guteka umutwe, gukarisha ubwenge, no guhumbira imiganda y'Ivyiyumviro Ngenderwako, bizodufasha gushira mu ngiro imigabo n'imigambi duhamagariwe kurangurira Abarundi.

5. Muri iki kiringo tugiye kumara mu mwiherero, twipfuza ko twese twoganuka tugana mu mirimo yacu ya misi yose twategereye neza ico umwe wese ategerezwa gukora, ingene yokorana n'abandi, n'ingene yokora ibitunganye, imisi yose na hose no muri vyose.

6. Hejuru y'Ivyo vyose, twese tubwirizwa gusozera uwu mwiherero twatahuye neza ko tugize Reta Mvyeyi, Reta Nkozi; kandi tubigendere mu mvugo no mu ngiro. Twatumiye ba Buramatari kugira biyumvire ivyo dupfundika kuko ari bo jisho n'ugutwi, ivyariho vya Reta mu benegihugu bajejwe.

7. Basokuru barayamaze ngo «**Winjira mu kibira utazi ugaca inkoni utazi**». Nizeye ko umwe wese mu bizewe muri iyi Reta Nshasha, yafashe umwanya akihweza Ibisata ajejwe n'ibikorwa ahamagariwe gukora.

Banyakwubahwa mwese, batumire bahire;

8. Tugereranije Reta n'Igitabu, Ubushikiranganji bwoca bufatwa nk'Ikigabane. Bisigura ko ico Gitabu "Reta" coba kigizwe n'Ibigabane 15. Muca mutegera neza ko ata kigabane gisa n'ikindi, ariko ko Ikigabane gifasha kwunganira no gutegera ibiri

mu kindi canke mu bindi bigabane, kandi ko Ikigabane canditse nabi gishobora gutuma uwusoma ategera nabi Ibigabane bikurikira, ndetse ntategere ivyo igitabo cose cashatse kwigisha.

9. Muvyumve neza rero Bashikiranganji, umwe wese ategerezwa kukora ivyo ajejwe, azirikana na ntaryo ko yunganira akongera akunganirwa n'ubundi Bushikiranganji. Ntawe asiganya ibiri mu Bushikiranganji ajejwe, ariko kandi akamiza ku muzirikanyi ko kudakora canke gukora nabi ivyo ajejwe, vyononera Abashikiranganji bagenziwe, bigatuma Reta yose ikora nabi, abenegihugu na bo bakaguma bayidogera.

10. Ico twotegera ngaha, ni uko, nk'uko Ingingo ya 15 y'Ibwirizwa Shingingiro ibitegekanya, Reta, mu bikorwa vyayo, ishimikira na ntaryo kw'ishaka ry'abenegihugu, ni bo bayigenzura kandi ikubahiriza ukwishira n'ukwizana hamwe n'uburenganzira bwabo. Ingingo ya 16 na yo ivuga ko Ingingo reta ifata n'ibikorwa ikora, bitegerezwa kuba inyishu ya benshi bashoboka.

11. Reta ifise rero ubutumwa bwo gukora ivyo Abarundi bipfuza, na cane cane kurandurana n'imizi amacakubiri yaranze akahise k'igihugu, kuronderera akarusho Abarundi mu buryo babayeho, kandi ikarazwa ishinga n'uko Abarundi baba mu gihugu cabo ata nkomanzi, batikeka gukumirwa, kandi atamwitwarariko w'ingwara canke w'inzara.

12. Muti none ivyo twobishobora? Ni co gituma uwo utegerezwa kuba umwitwarariko wacu, twebwe tugize Reta. Uburongozi butegerezwa kwitwararika ko, koko, buriko busukurira Abarundi, buzi ko ari bo soko ry'ububasha n'ubutegetsi vy'igihugu.

13. Uyu musi rero ni uburyo bwo kwibutsa abagize Reta ico bajejwe kugira ngo twigire inama y'inzira yo kubikora. Ariko kandi, ni akaryo ko kwibutsa abenegihugu ko na bo bafise uruhara mu gukora kugirango igihugu kigume gitekanye, kirimwo abantu b'ubuntu.

14. Ni vyo, umuntu wese arafise uburenganzira n'umwidegemvyo wo kwumva aroraniwe mu gihugu. Ariko yomenya ko ubwo burenganzira afise butamurekurira guhonyanga umwidegemvyo w'abandi benegihugu.

15. Ni ico Reta ibereyeho: ***Kubungabunga no gucungera umwidegemvyo w'uyu n'uriya ntiwononere umwidegemvyo w'uwundi.*** Ni co gutuma Ibwirizwa Shingiro rihimiriza Umurundi wese gusonera imico n'akaranga vy'igihugu, n'ukugira uruhara mu kwubaka igihugu gifise iteka n'ubuntu.

16. Murumva ko ivyo bitaraba indongozi gusa, Ibwirizwa Shingiro ritegeka Umurundi wese gukingira itunga rusangi iyo riva rikagera **(Ingingo ya 69)**. Intovyi, abasambura itunga ry'igihugu, abarya ibiturire, abanyuruza canke abasesagura itunga ry'igihugu, n'abakora ico cose conona itunga rusangi, bategerezwa guhanwa hakurikijwe amategeko.

17. Leta rero iriho kugira yubahirize amabwirizwa y'igihugu, ikingire abenegihugu, yongere ihane abahonyanze agateka k'abenegihugu n'igihugu, ndetse n'abonona itunga rusangi. Ngiyo rero Reta mvyeyi ije gukorera abenegihugu.

18. Ni umwungere acungera kugira ntihagire uwurengera uwundi akarimbi, ikaba n'umukozi atanga intumbero mu bikorwa vyo gukorera igihugu. Ahandi hoho, Umurundi wese ni umukozi ahamagariwe kugira uruhara mu bikorwa vyo kwubaka no guteza imbere itunga ry'igihugu.

19. Reta rero yaje mu mwiherero kugira ngo itunganye ico ijejwe, itunganye ico Ubushikiranganj bwose bugiye gukora ndetse turabire hamwe ingene abenegihugu na bo buca tubashira ku kivi.

Banyakwubwa mwese, batumire bahire;

20. Ni ngombwa ko igihe nk'iki twibutsanya ico tujejwe kuko dutanguye isemo nshasha mu kwubaka igihugu. Mu bisanzwe, iyo ushitse mu mabanga, icambere wiyumvira uvuga uti: **"Ndahinjiye hasa uku, nzohasohoka hasa gute?"** Utegerezwa kuhasiga izina, bakazoronka ico bakwibukirako, kandi ciza.

21. Mu bisanzwe, Umukuru w'Igihugu canke Umushikiranganji wa mbere ntibokwiragira mu bisata vyose, mu bihugu vyose no mu ntara zose mu mwanya umwe ngo babishobore.

Umushikiranganji ni we ajejwe gushira mu ngiro imigambi ya Reta mu gisata ajejwe.

22. Integuro y'Imigambi y'iterambere Umushikiranganji ashira mu ngiro, si iyo yikurira mu mutwe, ni imigambi n'imigabo izwi; nk'Umugambi w'Igihugu ujejwe iterambere, canke Imigambi yitorewe n'abenegihugu.

23. ***Umushikiranganji ni Imboneza akaba n'Indongozi*** mu bisata ajejwe. Imboneza ibanza kuba ibona neza ivyo ishinzwe hanyuma ikabera urumuri n'icitegererezo abandi mu vyiyumviro,

mu mvugo no mu ngiro. Ni Indongozi kuko abwirizwa kuja imbere abandi, akabigisha abereka akarorero, kuko na kare **«Nta wutanga ico adafise»,** kandi **«Ntawukama amata mu matako y'igihori»**. Ni co gituma abwirizwa kuba uwambere asigura neza ivy'igisata ciwe, mu Burundi no mu makungu.

24. ***Umushikiranganji ni Umuvugizi wa Reta mu gisata ajejwe***, aho ari hose na cane cane iyo ageze mu Makungu. Naho hasanzwe hariho Umuvugizi w'Ubushikiranganji, umunwa ni gwiwe ariko ijambo ni Umushikiranganji.

25. Umushikiranganji ni we wambere abwirizwa guhagararira inyungu za Reta mu vyo ashinzwe, yama yitwararika ko ivyo avuze ari Reta iba ibivuze. Ashikirije aho ahagaze, ni Reta iba yerekanye aho ihagaze ku kibazo iki canke kiriya.

26. ***Umushikiranganji ni Umuserukizi w'Uburundi mu makungu***. Mu bikorwa vy'Umushikiranganji, harimwo no guserukira igihugu mu makungu mu gisata ajejwe. Yifashe neza canke ahagarariye neza inyungu z'igihugu, Amakungu ni ho ahera mu kwubaha Uburundi. Umushikiranganji rero ategerezwa kuba afise umutima wo gukunda no gukundisha igihugu.

27. ***Umushikiranganji ni Umujenama***, si umucamanza. Ni umujenama w'Umukuru w'Igihugu mu gisata ajejwe, akaba kandi n'umuhanuzi w'Abanyagihugu mu migambi y'iterambere. Kugira ngo ashobore guhanura neza, abanza kwumviriza neza. Abantu benshi barabuze ingabirano yo kwumviriza, bikabagora kwihanganira ivyiyumviro bidatonze uko bo bavyipfuza.

28. ***Umushikiranganji ni Umuhuzabikorwa akaba n'umworoshabiyago*** mu Bushikiranganji.

29. Umuhuzabikorwa ni umuntu ari kw'isonga ry'igisata, azi neza ibice bitobito vyose vy'Igisata ajejwe, ashobora gutanga umuco ku migambi iriko irarangurwa, afatiye ku vyo abona hirya no hino mu gisata ajejwe.

Banyakwubahwa mwese, batumire bahire;

30. Muri iyi myaka 15 iheze, hari vyinshi twofatirako mu gutunganya ibigiye gukorwa muri iyi myaka 7 iri imbere. Imbere ya vyose ni Iragi dukesha Imboneza yacu, Nyenicubahiro Nkurunziza Petero, yatweretse ko bishoboka ko Uburundi bubaho imyaka itanu yose

butazera inze. Ivyo na vyo bishoboka kubera ubwira n'ubukerebutsi dukoranye.

31. Kugira ngo amikoro yacu yisununure kurusha, ni uko ubwambere tumenya kubungabunga itunga dufise, amahera yinjiye mu kigega ntasesagurirwe mu bitagira inyungu rusangi kandi amahera yari kwinjira mu kigega ntace ku ruhande. Ni uko dukorana umwete mu gufasha abenegihugu kurangura imirimo yabo atawe twatse igiturire. Gutyo ni ho tuzoba turanguye ingingo zose zigenga intwaro ibereye.

32. Muri kahise, vyaragaragaye ko ingongozi zitari nke baguma basaba Reta ngo duhe igitoro, duhe imiduga, duhe imishahara, duhe ibi na biriya, ntihagire n'umwe yibuka ko ivyo vyose ari bo bajejwe kubirondera. Igikorwa cambere ca Reta ni ugushira abanyagihugu ku kivi kugira ngo bagwize umwimbu, bashore hanyuma batange amakori n'amatagisi.

33. Ayo makori n'amatagisi navyo bigatuma Reta yorohereza abo benegihugu mu bikorwa bakeneye kuri Reta. Ni co gituma mu vyo tuzokwiga muri uyu mwiherero ari ubuhinga bwo gukora nk'intwazangabo, kugira turongore abenegihugu ku rugamba rwo kugwanya ubukene, gutyo umwimbu mu bisata vyose ugwizwe na 3 bishobotse mbere na 5.

34. Ivyo na vyo ntivyoshoboka mu gihe Abarundi twese n'abagize iyi Reta tutogira ubumwe, tugashira hamwe, tugakorera mu runani nka kurya kw'ingingo zigize umubiri umwe, canke inzuki zidaha mu mashurwe atandukanye zijana mu muzinga umwe.

35. Ubumwe dushaka ko buranga Abarundi n'iyi Reta, ni ubumwe bw'Umubiri umwe, Umubiri muzima kandi widegemvya. Kukaba nkako, mu gihugu hategerezwa kuba umutwe ukurikirana ibikorwa mu gihugu cose. Iyo na yo ni Reta. Hategerezwa kandi kuba abakozi bakora ibiboneka, bakagwiza umwimbu. Abo na bo baramaze kwisuganya, ni amakoperative n'ayandi mashirahamwe, ni abenegihigu bakorera mu miryango iwabo.

36. Ibikorwa bakora ni ngirakamaro kuri bose, ni co gituma umwe umwe wese afise ico ajejwe ariko twese tukaba magiriranire.

Ni co gituma tutibagira uburyo bwo guhanahana amakuru, butuma ikibaye mu mpande zose z'igihugu kimenyekana ku rwego rw'Umukuru w'Igihugu, nka kurya igikoze ku mubiri cose gica kimenyekana mu bwonko bw'umuntu.

37. Abarundi bashoboye gukorera mu runani n'ubumwe nk'uko boba bagize umubiri umwe, nta macakubiri azosubira kuvugwa ngaha mu Burundi. Umurimyi azokwubaha Umudandaza, umworozi yubahe umunyabiro, umunyabiro yubahe umunyagikoni, nk'uko ingingo z'umubiri umwe zubahana, zigakingiranira, zigakoreranira kandi zikaguma zizi ko zikeneraniye.

Banyakwubahwa mwese, batumire bahire;

38. Imbere yo gusozera, nashaka kumenyesha Abarundi bose ko uyu mwiherero bowurindirako vyinshi, ariko bakaguma biteguye kuko tuje gutegura ibikorwa. Ntidushaka gukora mu kajagari kandi ntawe dushaka gusiga inyuma.

39. Tuje ngaha kugira ngo tumenye ko dusenyera ku mugozi umwe, kandi dusaba ko mwese mumenya ko tuzosohoka turi umwe, ata wutukisha Reta mu bikorwa.

40. Tuzosohoka tuje gukora ibikorwa umwe aca ku mucamo uwundi kw'itaba ry'umusozi ariko tugahurira hamwe twese. Aha tukaba rero tuje kurondera ubushobozi bwo kwunganiranira mu bikorwa, dukutsanya atawukubita umuhini canke inkokora uwundi. Ni co twipfuza kugira ngo Reta rube urwego rukorera abenegihugu n'ubushobozi bukwiye.

41. Muri uyu mwiherero, tuzokwibanda cane cane ku bibazo nkoramutima dushaka gutorera umuti ari vyo vy'ibi:

- Gutunganya neza ibisata vya Reta n'imigambi mikuru mikuru bigiye kurangura kugirango bikore vyisunga ivyipfuzo vy'abenegihugu.
- Gukorera mu runani rw'abagize Reta kugirango dutsimbataze intwaro ibereye ituma umwenegihugu wese yumva ko koko Reta ari umuvyeyi atunganiriza abenegihugu mu kubakingira mu babo no mu vyabo.

- Kwiga ingingo zose zofatwa kugirango dukingire iteka n'itekane ry'igihugu n'imigenderanire twogirana n'ibindi bihugu, vyaba ivyo mu karere canke ivya kure.
- Gutunganya neza itunga rusangi kugira rikoreshwe ku neza ya bose.
- Kwiga uburyo bwiza bwo kugwiza umwimbu mu gihugu n'icokorwa kugirango uwo mwimbu utume tuzamura ubutunzi bw'igihugu.
- Kwiga neza ingingo zofatwa kugirango tugwanye twivuye inyuma akarenganyo no kurya ibiturire, dukingire itunga rusangi, kandi turinganize neza ubutungane kuri bose.

42. Muri ivyo vyigwa hariho ibibazo twipfuza kuzotorera inyishu ibereye, bikaba ari ibi:

- Ikibazo c'ibiturire no kubungabunga itunga ry'igihugu;
- Ikibazo co gutahukana impunzi z'Abarundi, kubasubiza mu zabo, no gukurikirana ubuzima bw'Abarundi bari mu bindi bihugu;
- Ikibazo c'urwaruka rwahejeje amashure ariko rutararonka ico rukora;
- Ikibazo c'inyigisho mu mashure twerekeza kazoza keza k'urwaruka no mw'iterambere;

- Ikibazo c'abakukuruke bakoreye Reta haba mu kuvurwa canke mu mahera y'imperekeza yo kubaho ugeze mu zabukuru;
- Ikibazo c'ingurane y'ama banki Reta yategekanije kugira abenegihugu biteze imbere;
- Ikibazo c'ibikorwa vya Reta n'itangwa ry'amasoko ya Reta mu ntumbero yo kuzamura itunga ry'igihugu;
- Ikibazo c'itunganywa ry'ibibanza vy'iratiro n'inkengera z'ikiyaga Tanganyika;
- Ikibazo c'itunganywa ry'amatongo ya Reta n'iyubakwa ry'ibisagara;

- Ikibazo co gukwegakwega abagwizatunga bo hanze no gutunganya ikibanza c'isoko mpuzamakungu;
- Ikibazo co kugwanya impanuka no gukingira ibidukikije mu buryo buteza imbere igihugu;
- Ikibazo co kugwanya kudahana no gukingira agateka ka zina muntu.

43. Ni kuri ivyo bibazo nkaburabwenge turangirijeko Ijambo ryacu, twongera tumenyesha ko twuguruye icese ibikorwa vy'Umwiherero wa mbere wa Reta turongoye, Reta Nkozi, Reta Mvyeyi.

Ndabipfurije kuroranirwa mu misi muzomara ngaha, tuyage duhana ijambo kandi duhuza, dusenyere ku mugozi umwe.

44. Turipfuza ko ingingo tuzopfundikira hano zizogirira akamaro Abarundi bose, namwe Bashikiranganji zibafashe kurama muri ayo mabanga mujejwe. Mwame mwibuka ko «**akabando kazobashikana kure gacibwa kare kakabikwa kure**».

Imana ibahezagire!

Murakoze!